# 327: Nah' ibihuhuta vy' amagorwa

1. Nah' ibihuhuta vy' amagorwa
Vyontera can' impande zose,
Nabony' aho nshobora kwihisha
Mu maboko y' Umwami Yesu.

Ref: Yes' arampisha, Ahor' ampisha
Ah' ata magorwa yonsanga,
Yes' arampisha, Ahor' ampisha,
Yampfumbase mu kuboko.

2. Naho yondungikir' amarushwa,
Binkumbuz' i wacu mw ijuru;
Iman' itwigishany' urukundo,
Nta h' iduhanish' uburake.

3. Umwansi wacu, ni we Satani,
Naho yontegesh' ubugunge,
Ndazi kw ibimeze nk' ibinyica
Yes' abihindur' amahoro.

4. lyo nikorey' umusaraba,
Nah' umubiri wobabazwa,
Yes' azigam' umutima wanje,
Nta kizotwar' umwana wiwe.

Visit us at burundi.indirimbo.com